REPUBLIQUE DU BURUNDI
Commission Electorale Nationale Indépendante

CENI

Ensemble pour les élections démocratiques: libres, apaisées et transparentes

UNITE • TRAVAIL • PROGRES

IJAMBO RISHIKIRIJWE N'UMUKURU W'UMURWI CENI MU GIHE BUCA HABA AMATORA Y'ABASHINGAMATEKA *KU WA 22 MUKAKARO 2010.*

Barundi, Barundikazi mwese,

1. Nk'uko twama tubigira buca haba amatora, umurwi w'igihugu wigenga ujejwe gutegura amatora CENI wama wibutsa Abarundi n'Abarundikazi bose ibanga n'iteka ntangere bahabwa n'amategeko y'igihugu mu gushigikira ingendo ya demokarasi iciye mu matora.

2. Ku musi wa gatanu igenekerezo rya 23 Mukakaro 2010, ni ho Abarundi n'Abarundikazi bazokwitorera Abashingamateka. Urwo rubanza rurahambaye ; umurwi CENI urararitse Abarundi n'Abarundikazi kwitaba ari benshi, mu mutekano no mu rupfasoni vyaranze amatora aheruka.

3. Amatora yo ku wa gatanu abaye aya gatatu Abarundi n'Abarundikazi bakwije ibisabwa n'amategeko bazoba bitavye. Ibibanza vyo gutoreramwo ni vya bindi muzi, mumenyereye.

4. Umurwi CENI urasavye kandi abawuserukira mu ntara (CEPI), abawuserukira mu makomine (CECI) n'abagize ibiro vy'amatora gusubira kwitanga bishemeye kugira abaje gutora boroherwe, kugira basubire ku mirimo yabo bitabagoye.

Turasavye kandi abageze mu zabukuru, ibimuga canke abakenyezi bibungenze ko boborohereza nk'ubwa mbere.

5. Abarorerezi barungitswe n'imigambwe na bo bamenye ko ari ivyabona bihambaye. Ntibatahe akazi katarahera ; mbere mu murwi CENI tubahanuye gutekera impamba ibafasha kumira amate no kuronka ingoga zituma bakora gushika bahejeje guharura ivyavuye mu biro vy'amatora bakurikiranye.

6. Umurwi CENI, Abarundi bose n'amakungu barashimye umurimo uhambaye waranguwe n'inzego z'umutekano mu matora aheruka.
   Mu gihugu cose, inzego z'umutekano zaritanze ; amahoro n'umutekano birarema.
   N'ubu turazi ko abapolisi n'abasirikare bamaze gushika aho bazorangurira ayo mabanga yo gucungera umutekano w'amatora n'abatora. Umurwi CENI urabakeje, ubipfuriza kuja imbere nk'umuzinga.

7. Abafasha mu bikorwa vy'amatora ni benshi. Muri bo, ntawokwibagira abamenyeshamakuru, abarorerezi b'amatora n'amashirahamwe atandukanye yama atanga umuco kugira Umurundi wese amenye ko gutora inzego zirongora igihugu ari iteka rihambaye.
   Nta murundi n'umwe arekuriwe kubuza abandi kuja gutora ikiri ku mutima.

8. Umurwi CENI n'abawufasha mu ntara n'ikomine zose z'Uburundi urashima intererano y'inzego z'igihugu zitandukanye, y'amashengero n'ibihugu vyose vyafashije muri uyu mugambi uhambaye w'amatora.
   Amatora y'Abashingamateka arangiye, ikivi kizoba kiriko kiraduga ; inkingi za demokarasi zizoba ziriko zirashingwa zishigikiwe n'Abarundi benegihugu.

9. Aho bukera rero, twitabe amatora turi benshi. Dushire imbere ineza y'igihugu; dutere iteka Uburundi bwatwibarutse; twiyambike umutamana w'amahoro, yuzure imitima yacu, igihugu cacu, akarere na Afrika yose.

Ni harambe amahoro mu Burundi.

Ni harambe amatora meza avyara umutekano mu Burundi bwacu.

Murakoze!

Bigiriwe i Bujumbura, igenekerezo
rya 22 Mukakaro 2010

Pierre Claver NDAYICARIYE
Umukuru wa CENI.